**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO N°9 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 25 MUNYONYO 2020

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 25 Munyonyo 2020, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Hihwejwe ibi bikurikira:

1. **Integuro y'igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije kihari ubu, cagiyeho mu mwaka w'2000 mu gihe igihugu cariko kiratangura gushiraho umugambi w'igihugu wo kubungabunga ibidukikije.

Muri iki gihe, birakenewe ko gisubirwamwo kugirango cisunge ivyo ibidukikije bisaba nk'uko bitegekanijwe n'amasezerano mpuzamakungu n'izindi ntumbero zitangwa n'imigambi inyuranye yatunganijwe, be n'intumbero zisungwa mu bijanye no gukingira ibidukikije.

Inyuma y'imyaka igera hafi ya mirongo ibiri ico gitabu c'amategeko agenga ibidukikije gishirwa mu ngiro, vyarabonetse ko hari agahaze kubera ibibazo bishasha biza biravuka mu bijanye n'ibidukikije, nko gukinga no gutabara mu gihe c'isibe n'ibiza, ihindagurika ry'ibihe, n'ibindi.

Mu gihe igihugu gitegerezwa guhangana n'ingorane zari zihasanzwe mu bijanye no gukingira ibidukikije, gitegerezwa guhangana n'ibindi bibazo bishasha bivuka, nk'ibintu birimwo ubumara, imicafu iva mu bikoreshwa m'umuyagankuba, n'ibindi.

Isubirwamwo ry'iki gitabu c'amategeko agenga ibidukikije rije rero gufatira ku bibazo bishasha bihari no gushira mu mategeko y'igihugu ibiri mu masezerano mpuzamakungu yerekeye gukingira ibidukikije Uburundi bwemeje.

Twomenyesha ko Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro irayisubiza inyuma kugirango itosorwe neza.

Inama nshikiranganji imaze gusuzuma ko iyo nteguro yahinyanyuwe nk'uko yari yabisavye, yarayemeje ariko ikaba yarerekanye n'utundi twotosorwa neza.

2. **Integuro y'gitabu c'amategeko agenga ibikoresho birimwo ubumara (produits chimiques)** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Mu Burundi harakoreshwa ibintu birimwo ubumara kandi vyinshi bivanwa hanze y'igihugu. Uko iterambere ryiyongera niko ivyo bintu bigwirirana.

Ivyo bintu biguma vyiyongera, mu gihe Uburundi ata mategeko bufise agenga ikoreshwwa ryavyo.
Ukurangura ivyo bintu hanze y'igihugu, idandazwa n'ikoreshwa ryavyo mu buryo bwa magendo kandi ku rugero rutazwi birabangamiye amagara y'abantu n'ibidukikije.

Ikindi naco, ivyataye igihe bigishinguwe canke bikoreshwa ukutariko birageramira amagara y'abantu n'ibidukikije.

Iyi nteguro ije kuzana akarusho mu gukingira amagara y'abantu n'ibidukikije ku ngorane zishobora kuva kuri ivyo bintu birimwo ubumara.

Ikindi naco ni uko umugambi w'igihugu wo gukinga itosekara ry'ibidukikje ryotumwa n'ivyo bintu birimwo ubumara utegekanya ko habaho ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'ivyo bintu birimwo ubumara.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro yarayemeje, bimwe mu vyo yasavye bikaba ari uko iri bwirizwa ryoraba n'ibijanye n'ibikoresho bindi bibangamira amagara y'abantu nk'ibikoreshwa mu buhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru (produits éléctroniques), ibikoreshwa mu burimyi canke ku magara y'abantu no mu bindi (produits biologiques) be n'inzoga zitemewe n'amategeko.

3. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/08 ryo ku wa 11 Rusama 2018 ryerekeye gutunganya ikoreshwa ry'imiti yica udukoko mu Burundi (pesticides)**, yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Muri iki gihe ubuhinga n'urudandazwa biguma bitera imbere, gukingira ingwara ibinyabuzima, ibiterwa n'ibikoko, bisaba utwigoro tw'abo bose vyega, kugirango abantu, ibikoko n'ibidukikije ntibibangamirwe.

Amategeko y'igihugu, ayo mu karere na mpuzamakungu agenga urudandazwa n'ikoreshwa ry'imiti yica udukoko yarahindutse cane muri iyi myaka iheze.

Ni muri iyo ntumbere hateguwe amategeko mpuzamakungu yerekeye ingene iyo miti itangwa n'ingene ikoreshwa kugirango abo bose vyega bagire ingendo n'inyifato imwe.

Utwo twigoro, haba mu karere canke ku rwego mpuzamakungu, dufise intumbero yo kugira ico dutereye kugirango iyo miti yica udukoko ikoreshwe neza .

Birakenewe rero ko haba ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'iyo miti yica udukoko kuko irashobora kubangamira amagara y'abantu, ay'ibikoko, ibinyabuzima n'ibidukikije.

Isubirwamwo ry'iri bwirizwa rica rifasha ndetse gushiramwo ingingo ziri mu masezerano ashinga Ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko nko mu gushiraho urwego rujejwe gucungera ikoreshwa ry'imiti yica udukoko.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje.Bimwe muvyo yasavye ni uko yohinyanyurwa neza igashimikira ku bihano bifatwa n'abajejwe intwaro muri iyi nteguro, kuko ibindi bisanzwe bitegekanijwe n'igitabo mpanavyaha.

4. **Integuro y'ibwirizwa ritunganya Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'Ubutungane

Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano ni imwe mu nama nkuru z'igihugu zitegekanijwe n'ibwirizwa nshingiro. Itunganijwe n'ibwirizwa n°1/23 ryo ku wa 31 Myandangaro 2008. Iryo bwirizwa ryisunga ibwirizwa nshingiro ryo mu 2005 ryasubiriwe n'iryo mu 2008.

Birakenewe ko iryo bwirizwa ritunganya Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano ryisunga ibwirizwa nshingiro rishasha**.**

Ikindi naco, ni uko hari abagize iyo nama bahejeje ikiringo muri myandagaro 2020, isubirizwa ryabo rikaba risaba ko ingingo zimwe zimwe z'iryo bwirizwa ritunganya Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano zibanza gusubirwamwo kugirango zifatire k'ukugene Reta yubatse muri iki gihe.

Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano irakeneye kandi kugira ubunyamabanga ntayegayezwa butegura ibizihwezwa n'iyo nama be no gukurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'ingingo ziba zafashwe muri iyo nama.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyunganira mu ngingo zimwe zimwe.

5. **Integuro y'ibwirizwa risuburamwo ibwirizwa n°1/06 ryo ku wa 10 Ntwarante 2020 rishinga ikidari rikongera rikagena Umukuru w'Igihugu NKURUNZIZA Petero kuba imboneza nkuru mu kuzirikana, mu gukunda no gukundisha igihugu,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'Ubutungane

Ibwirizwa n°1/06 ryo ku wa 10 Ntwarante 2020 rishinga ikidari rikongera rikagena Umukuru w'Igihugu NKURUNZIZA Petero kuba imboneza nkuru mu kuzirikana, mu gukunda no gukundisha igihugu, mu ngingo yaryo ya 4, ritegekanya ko muri Mukakaro uko umwaka utashe, hahimbazwa umunsi mukuru wahariwe kuzirikana, gukunda no gukundisha igihugu, ibirori bikaba birongorwa n'imboneza nkuru mu kuzirikana, mu gukunda no gukundisha igihugu.

Iyo ngingo nyene itegekanya ko izindi ngingo zijanye no guhimbaza uwo munsi mukuru zishingwa n'itegeko ry'umukuru w'igihugu.

Reta ishaka gishiraho iryo tegeko ariko icipfuzo ni uko uwo munsi wohimbazwa kw'igenekerezo rya 08 Ruheshi uko umwaka utashe.

Kugirango iryo tegeko rigiye kujaho ntirije kubiri n'iryo bwirizwa, birakenewe ko ingingo ya 4 y'iryo bwirizwa isubirwamwo, ikavuga ko uwo munsi mukuru uzohimbazwa kw'igenekerezo rya 08 Ruheshi uko umwaka utashe.

Ikindi naco, kubera Imboneza nkuru mu kuzirikana, mu gukunda no gukundisha igihugu yashengeye, iryo bwirizwa naryo rikaba rivuga ko iyo mboneza ariyo

irongora ibirori vyo kuri uwo munsi mukuru, birakenewe ko iyo ngingo ihinduka ikavuga ko ivyo birori birongorwa n'Umukuru w'Igihugu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje.

6. **Indinganizo y'ibikorwa vyerekeye kurwanya igwirirana ry'ibirwanisho bitobito bicira umuriro,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Igwirirana ry'ibirwanisho bitobito bicira umuriro ni imwe mu ngorane nkuru z'umutekano zibangamiye isi muri iki gihe.

Nico gituma amakungu yafashe ingingo yo kugihagurukira kugirango ahangane naco.

Ibihugu vyo muri aka kerere n'Uburundi burimwo vyiyemeje kuja muri iyo nzira kugirango bihangane n'ingorane ziva kw'igwirirana ry'ivyo birwanisho.

Mugushira mu ngiro utwo twigoro tw'amakungu n'akarere, Uburundi bwaremeje indinganizo y'ibikorwa vyo kuva mu 2011 gushika mu 2015 . Iyo ndinganizo yarerekana ido n'ido ry'ibizokorwa mu kurwanya igwirirana ry'ibirwanisho bito bito bicira umuriro.

Isuzuma ry'ingene vyashizwe mu ngiro ryerekanye ko ivyashitsweko bihambaye kandi ari vyiza cane.

Ivyavuye muri iryo suzuma nivyo vyafashije mu gutegura iyi ndinganizo y'ibizorangurwa kuva mu 2020 gushika mu 2022.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ibiri muri iyo ndinganizo, yarabishimye, ariko ica isaba ko woba umugambi wo kurwanya igwirirana ry'ibirwanisho bitobito bicira umuriro wotangura mu 2021ugashika mu 2023, kuko uwu turimwo usa n'uwuheze. Indinganizo y'ibikorwa izoheza ikurikire.

7. **Integuro y'itegeko nshikiranganji ryerekeye amatagisi arihwa n'uworondera inkaratasi zijanye n'ibivuye mw'itunga mvabwenge ryerekeye ibihingurwa (propriété industrielle),** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Itunga mvabwenge ryerekeye ibihingurwa rifise intumbero yo gukingira ico umuntu yashize ahabona ubwambere, kikamwandikwako ntihagire uwundi aciyitirira canke ngo acabure. Impapuro bijanye zisabirwa mu gisata kijejwe itunga mvabwenge ryerekeye ibihingurwa.

Amahera arihwa n'uwusaba izo mpapuro yashinzwe n'itegeko nshikiranganji n°540/750/1582 ryo ku wa 14 Nyakanga 2012.

Hari ivyo iryo tegeko nshikiranganji ritashize ku rutonde kandi vyategerezwa kurihishwa, be n'ibitashizweko kandi ico gisata coshobora kubikora, ivyo navyo bikaba ari uruhombo ku kigega c'igihugu.

Iyi nteguro rero irashira ku rutonde ibintu bishasha birenga ijana ico gisata kizotunganiriza abantu kandi bikarihisha amahera. Irafatira kandi ku rugero rw'amahera arihishwa mu bihugu dusangiye umuryango w'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko.

Imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, Inama nshikiranganji yarayemeje, ariko ica isaba ko hashirwaho ningoga uburyo bwo gutorera inyishu amatati hagati y'abantu baharirira iki canke kiriya umwe wese ashaka kuciyitirira.
Harakenewe ubuhinga bwo gukingira ibihinguriwe mu Burundi kugirango ntihagire abavyigana canke ngo bavyiyitirire.

Amasuzumiro ari ngaha mu gihugu be n'abashakashatsi n'abahinga mu bisata bitandukanye bakwiye kuja hamwe kugirango bagire ico batereye muri ico gikorwa.
Ikigo BBN naco kirakwiye kuronswa ibikenewe kugirango kirangure neza imirimo yaco.

Umushikiranganji ajejwe ubudandanji n'uwujejwe Ikigega ca Reta baciye bagenwa ngo bategure urwandiko rwerekana icokorwa kugirango ibintu bikorerwa mu Burundi bikingirwe, kandi vyemerwe hose kuko bizoba vyakozwe hisunzwe ibisabwa ku rwego mpuzamakungu.

## 8. Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yaramenyesheje abashikirangaji ko hacibonekeza ukudindiza ibikorwa mu buzi bwa Reta, aca abasaba gukurikirana neza abo barongoye kugirango ivyo bintu bigabanuke.

Yaramenyesheje kandi ko ubusuma bwasubiye kwimonogoza mu bisata vya Reta aca asaba abashikiranganji kugirisha amanama abakozi babo babumvishe ko ivyo bintu bibwirizwa guhagarara, kuko uwuzokwagirwa n'ico caha c'ubunyonyezi no kwonona uburyo bwa Reta azokwirukanwa mu kazi kandi ataho azosubira kukaronka ngaha mu gihugu.
Yaranabasavye kuja ku kibuga kugirango barabe ko ivyo biyemeje gukorera abenegihugu biriko birangurwa neza.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaragarutse kandi ku migambi ifashwe mu mugongo n'abafashanya n'Uburundi.
Yaribukije ko iyo migambi ari iya Reta, ko rero abashikiranganji bategerezwa kuyikurikiranira hafi.
Amafaranga aba yatanzwe kugira arangure iyo migambi abwirizwa gukora ico yagenewe. Nico gituma mu migambi mishasha izovuka, Reta ari iyo itegerezwa gufata iya mbere kuva mw'itegurwa ryayo gushika irangurwe.
Abarongoye iyo migambi nabo bategerezwa kwumva ko ari abakozi ba Reta, ko atari abakozi b'abatanze uburyo.

Muri kazoza, ni ugukora ibishoboka vyose ntihagire ibikorwa bizosubira gucererwa nk'uko vyibonekeza muri iki gihe mu migambi imw'imwe iriko irarangurwa. Ahubwo vyoba vyiza amahera yategekanijwe aheze mu mwanya muto ariko yakoze ico yagenewe kugirango haboneke ayandi vyoroshe.

Yaciye asaba umushikiranganji wese kugira urutonde rw'imigambi ifashwe mu mugongo n'abafashanya n'Uburundi,igisata ikoreramwo, ikiringo, uburyo bwategekanijwe n'aho ibikorwa bigeze.
Mu guheraheza, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje urugendo aza kugira kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 26 Munyonyo 2020 i Libreville mu Gihugu ca Gabon, aho azoba yitavye Inama y'Abakuru b'ibihugu bigize ishirahamwe CEEAC.

Bujumbura, 26 Munyonyo 2020

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE